ITANGAZO RIJANYE N'URUGENDO RW'AKAZI RWA NYENICUBAHIRO SAMIA SULUHU HASSAN, UMUKURU W'IGIHUGU CA TANZANIYA MU BURUNDI

Nyenicubahiro Mushiki wacu Samia Suluhu Hassan,
Banyakwubahwa Bashikiranganji,
Batumire bahire,
Bamenyeshamakuru muri ngaha,

1. Mu rugendo rwiwe rwa mbere rutazibagirwa mu gihugu cacu c'Uburundi, Nyenicubahiro Suluhu Hassan, Umukuru w'Igihugu ca Tanzaniya duhejeje kuganira ibitari bike.

2. Mu kiyago cacu, twashimikiye ku bibazo biraba ibihugu vyacu vyompi, n'ibibazo vyo mu karere.

3. Naciye mboneraho akaryo ko gusubira gushimira no gukengurikira Reta ya Tanzaniya kubona yama ishigikira Uburundi gushika uyu musi, na cane cane mu bihe bigoye twaciyemwo, kuva duhabuje intahe y'ukwikukira

4. Reta ya Tanzaniya yararungitse intumwa zo ku rwego rwo hejuru mu kwifatanya natwe mu kudufata mu mugongo igihe twashingurana iteka Umuhisi Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA i Gitega. Nyenicubahiro Samia SULUHU Hassan akaba yari muri izo ntumwa.

5. Haheze imisi mikeya Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA ashengeye, abavukanyi b'igihugu ca Tanzaniya na bo baciye bahura n'ivyago nk'ivyo, babura Umukuru w'igihugu bakunda cane Nyenicubahiro John Pombe MAGUFURI. Na twebwe tukaba twararungitse intumwa kugira twifatanye na bo mu kubashigikira.

6. Twakiranye umubabaro ibiherutse gushika kw'isoko ya Kariako mu gisagara ca Dar Es Salaam yahiye, rukaba ari uruhombo rukomeye ku benegihugu ba Tanzaniya, ku Barundi no ku banyafirika y'ubuseruko.

7. Mu mubonano wacu twumvikanye ku bibazo bitandukanye vy'inyungu rusangi :
Twashimye ko Uburundi na Tanzaniya bibona kumwe ibibazo vya politike n'imigenderanire mu mice itandukanye, haba mu Muryango w'ibihugu vya Afirika y'Ubuseruko mu nzego za wo zose, mu Muryango w'ibihugu vya Afrika, mu muryango Mpuzamakundu ONU n'ayandi mahuriro mpuzamakungu.

8. Nashimiye igihugu ca Tanzaniya kuba carakiriye Abarundi mu bihe bitandukanye vy'amagume twaciyemwo, n'ubushake bwo kworohereza impunzi z'Abarundi zishaka gutahuka ku bushake bwa zo mu gihugu cabibarutse.

9. Kubera ko Igihugu ca Tanzaniya cateye intambwe igaragara mu bisata vyo gutunganya ibijanye n'abakozi ba Reta be n'uburongozi, nasavye Nyenicubahiro Samia Suluhu Hassan ko Reta arongoye yodufasha mu gutanga inyigisho nkarishabwenge ku bakozi bo mu Bushikiranganji bw'Imigenderanire y'Uburundi n'Ayandi Makungu no Gufashanya mw'Iterambere, eka no mu bindi bisata tuzokwumvikanako.

10. Twumvikanye gukomeza gutsimbataza amahoro n'umutekano ku mbibe dusangiye, gukora dufatanye mu nda mu gutuza iterabwoba, idandazwa ry'ibiyayura mutwe, ikwiragizwa ry'ibigwanisho bitobito n'urudandazwa rw'abantu mu bihugu vyacu. Muri make, twiteguriye kugwaniriza hamwe ivyaha ndengambibe vyose.

11. Twemeranije guteza imbere kurusha imigenderanire no guhanahana ubumenyi mu bijanye n'ihindagurika ry'ibihe no guhangana n'ibiza n'isibe.

12. Nakengurutse cane kuba igihugu ca Tanzaniya carikoreye, hafi nka conyene, umutwaro w'Uburundi. Imana ishimwe ko ibintu biriko birahinduka, bigatanga icizere co kwiruhutsa ku benegihugu b'ibihugu vyacu.

13. Twumvikanye ko tugiye kubandanya guhanahana ubumenyi mu bijanye n'uburimyi n'ubworozi, cane cane dusaba ko amakoperative y'Uburundi na Tanzaniya yokorana afatanye mu nda ku ntambwe zose z'ibikorwa, tunasaba ko amashirahamwe y'Abarundi yohabwa uburenganzira bwo gukoresha agataka ka Tanzaniya mu ntumbero yo kwongereza umwimbu.

14. Ku bijanye no guhanahana ubuhinga, nahimbawe n'uko ishirahamwe ry'Uburundi ITRACOM rihingura umwavu w'ikizungu, ririko rirugurura ihinguriro nk'iryo mu gihugu ca Tanzaniya, tukaba twanezerejwe n'iyo ntambwe nshasha yo gufashanya mu muryango wa Afrika y'ubuseruko.
15. Twiyemeje kubandanya dukorera hamwe ku bijanye na kazoza keza k'ibihugu vyacu mu gukomeza urudandazwa hagati y'ibihugu vyacu.

16. Twahamagariye abenegihugu b'ibihugu vyacu gukorera hakurya y'imipaka y'ibihugu vyabo, mu gushira imitahe nko mu bijanye n'ubuhinga ngurukanabumenyi, amahinguriro, amabanki, igisata co guhingura ibifungurwa, ukwiyunguruza, n'ibindi,…

17. Twasavye abegwa bose n'ikibazo c'umugambi w'ibarabara ry'indarayi Uvinza-Musongati-Gitega/Bujumbura-Uvira-Kindu, cane cane uruhande ruraba Uburundi na Tanzaniya, kwihutisha itangurwa ry'ibikorwa vy'urwubako.

18. Twasozereye twumvikana kubandanya dushira inguvu hamwe mu guhangana n'ikiza kibangamiye isi ca Koronavirusi n'izindi ndwara ndengambibe.